**CONFERENCE**
**DES EVEQUES CATHOLIQUES**
**DU BURUNDI**

**Secrétariat Général**

# ITANGAZO RISOZERA INAMA ISANZWE Y'ABEPISKOPI GATORIKA B'I BURUNDI YO MU KWEZI KWA RUHESHI 2026

Kuva kw'igenekerezo rya 1 gushika ku rya 5 Ruheshi 2026, Abepiskopi b'Ekleziya Gatorika y'i Burundi barakoraniye hamwe mu nama yabo isanzwe. Iyo nama yabereye i Bujumbura ku cicaro cayo kiri i Kiriri.

Nk'uko bisanzwe, inama yuguruwe n'igisabisho carongowe n'umukuru wayo, yaciye agirako agashikiriza ijambo riyugurura, hanyuma Abepiskopi bakabona gutangura guhana amakuru ku biriho n'ibivugwa mu madiyoseze barongoye no mu gihugu.

## I. Uguhanahana amakuru

1. Mu guhanahana amakuru, bahereye nk'uko bisanzwe ku vyerekeye **Ubuzima n'ubutumwa bw'Ekleziya.** Intumwa ya Papa mu Burundi yama yatumiwe muri iyo nama yabo ni we yatanguye gufata ijambo, arashikiriza Abepiskopi ikete barungikiwe na Nyenubweranda Papa Leho XIV biciye ku munyamabanga wa Leta y'i Vatikano Karidinali Pietro Parolin. Yaciye ashikiriza Abepiskopi ibitari bike vyerekeye ubuzima bw'Ekleziya ikwiye kw'isi yose, abanje kubakengurukira cane, bo n'abo bafashanya ubutumwa, ku kugene batunganije neza indinganizo yo kwakira Karidinali Luis Antonio Tagle, ajejwe igisata co ku kirimba kwa Papa kijejwe gukwiza hose Inkuru Nziza, aherutse kugendera Uburundi, igihe twahimbaza yubile y'imyaka 75 iheze hatanguye Iseminari nkuru y'i Burasira yabaye iyambere mu Burundi. Hari kw'igenekerezo rya 17 Rusama 2026.

2. Hageze ko na bo bafata ijambo Abepiskopi bahereye ku gukengurukira Imana ku mutima ukirurukiye kwakira ivyiza vy'Imana abakristu berekanye mu kwitaba nyigisho zari zibateganirijwe mu gihe c'Ikarema, kandi bagahimbaza n'umutima w'ukwemera iminsi mikuru ya Pasika iherutse gusozerwa n'umusi mukuru cane wa Pentekoti. Ni akanyamuneza kandi ku Bepiskopi kubona abakristu batari bake biteguye, baza baratanguye kuronka Isakramentu ry'Ikonfirimansiyo. Ako kanyamuneza kakuhirirwa n'uko, guhera mu kwezi kw'indwi, biteze kwatira Abadiyakoni mw'ibanga ry'ubusaserdoti busuku, abafarati na bo bakagabana ubutumwa bubategurira iryo banga, eka mbere n'abanovisi bari mu miryango itandukanye y'abihebeyimana bakazogira indagano zo kwegurira Imana ubuzima bwabo.

3. Berekeje na ho amaso ku **biriho n'ibivugwa mu gihugu**, Abepiskopi barakenguruka umutekano n'amahoro biriho muri rusangi mu gihugu cose be n'uko hose ari igihe c'iyimbura, naho umwimbu udashemeye cane kuko, ku ruhande rumwe, imvura itaguye neza hose, ku rundi na ho, abarimyi bataronkeye ku gihe ifumbire y'ikizungu bari biteze, abatari bake mbere n'ukuyitangira amahera bakaba bari bamaze kuyatanga.

4. Abepiskopi baravuze ko bababazwa n'ukubona ibintu rusangi bimwe bimeze nabi canke bikenye: nk' amabarabara menshi mu gihugu yononekaye be n'ikena ry'igitoro bituma ihanahana ry'ibintu be n'ukwiyunguruza bigorana, mbere bigaca bitera n'amasanganya menshi abantu bakahasiga ubuzima. Barababazwa kandi n'uko n'ibindi bintu nkenerwa mu buzima bwa minsi yose biguma bigorana kuronka : aho ni nk'imiti itaboneka mu mavuriro be n'imfungurwa ziguma zizimba. Ikindi bavuze kibabaza ni ukubona Abarundi boshoboye kuramira no kuguteza imbere igihugu c'amavukiro (urwaruka, abigisha, abaganga…) baguma bagenda mu bindi bihugu kurondera

ivyobabeshaho kubera ko urugero rw'imishahara ruri musi cane y'urw'igiciro c'ivya nkenerwa mu buzima.

5. Abepiskopi baravuganye n'ukuntu bashima umwitwarariko wa Leta wo guhimiriza isuku mu gihugu. Mugabo bakibaza niba nk'ugusiga isima imbere y'amazu n'impango zose ziri kw'ibarabara, gutegetswe, kutazohava gusongera isibe ku basanzwe badashoboye kwironsa ivya nkenerwa kubera iduga ry'ibiciro ry'iki gihe. Bakibaza kandi niba koko iryo sigwa ry'isima mu bisagara n'ibigwati hose hagati y'amazu n'ibarabara ata ngaruka mbi rizogira ku vyerekeye ibidukikije. Abepiskopi baraseruye n'amakenga bafise yuko ibikorwa bimwe bimwe bitunganywa ku musi w'Imana bishobora kubuza abakristu babwirijwe kubijamwo kwubahiriza ibwirizwa rya gatatu ry'Imana. Vyongeye, Abepiskopi baribaza niba ibishika hamwe hamwe vy'ugutangisha intererano y'umugambwe kanaka abatari abanywanyi bawo bitoba bihushanye n'ingingo y'Ibwirizwa shingiro rya Repubulika y'Uburundi itomora ko imigambwe myishi yemewe mu Burundi (raba ingingo ya 75 z'ibwirizwa nshingiro ryo kw'igenekerezo 7 Ruheshi 2018).

6. Abepiskopi basozereye uguhanahana ijambo ku bivugwa n'ibiriho mu gihugu, baserura amakenga n'umubabaro baterwa n'ibibi vyiyongera ku vyamaze kuvugwa : ukwumva hari abantu batorwa bapfuye hirya no hino, ntihamenyekane ababishe canke icabishe; be n'uko hariho abantu barangiza umunyororo baciriwe canke bakezwa n'ubutungane ariko bakagumizwa mu munyororo.

## II. **Ivyari ku rutonde rw'ivyihwezwa**

7. Mu nyuma y'umwanya wo guhanahana amakuru ku buzima bwa Ekleziya be n'ubw'igihugu muri rusangi, Abepiskopi baciye baja kuri kimwe kimwe mu vyari ku rutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama.

a. **Inyigisho yerekeye imisa zisabwa n'Abakristu hamwe n'ishikanwa ritangwa n'uwusaba imisa.**

8. Abepiskopi barakiriye integuro y'inyigisho itomora insiguro, intumbero n'akamaro ko gusaba inkuka y'imisa igenewe gutura Imana ico nyene kuyisaba yipfuza kandi yamenyesheje umusaseredoti ayihereza. Bamaze gushikirizwa iyo nteguro n'uwaserukiye umugwi bo nyene bari baratumye kuyitunganya, barafashe umwanya wo kuyuzuriza no kuyinonosora, baraheza barayemeza.

b. **Integekanyo ndanganzira y'ugukoresha neza no kuvyaza umwimbu amatungo y'Ekleziya mu ma Diyoseze.**

9. Abepiskopi barakiriye kandi barongera barihweza integekanyo ndanganzira yotuma, mu madiyoseze no ku rwego rw'Inama yabo nyene, amatungofatiro y'Ekleziya abungabungwa neza kandi akavyazwa umwimbu w'uburyo bukenewe mu kurangura ubutumwa bwayo. Iyo ntegekanyo ishingiye ku mbono-kazoza itomowe muri aya majambo ngo: « Ekleziya iri mu Burundi ni Ekleziya yironsa yo nyene uburyo bukenewe, kubw'ugukorera hamwe ngo amatungofatiro yayo be n'iyindi mitahe bigire agaciro gasumbirije ». Abepiskopi barakosoye ivyo babonye ko bikenewe gukosorwa, baraheza baremeza iyo ntegekanyo. Ariko kandi baca baratuma umurwi wayiteguye kwongerako urwandiko rutomora ingene izoshirwa mu ngiro, hisunzwe ibisanzwe biri muri Diyoseze imwimwe yose.

c. **Ukuntu hokwongerezwa agashirukabute k'Abamenyeshamana**

10. Abepiskopi barafashe umwanya wo kwiyumvira no kurimbura ikibazo kijanye n'ukwongereza agashirukabute k'abamenyeshamana. Barabonye ko ari ikibazo co kwitondera kandi kizosaba gushira hamwe inguvu mu madiyoseze n'amaparuwase ahari, kugira ngo gitorerwe neza umuti. Ariko bose bazirikanye ukuntu ifaranga ry'Uburundi ryataye agaciro, ibiciro vy'ibintu

nkenerwa mu buzima bikaguma biduga, basanze ari ngombwa ko baduza urugero bari bagejejeko mu 2021, aho baheruka kuduza ako gashirukabute. Barahuriye mbere no ku ciyumviro c'uko abo bamenyeshamana boheza bagafashwa no gushinga imigambi yovyara uburyo bwo kukunganira. Bahavuye rero bapfundika yuko boshikirizwa vuba icegeranyo c'ivyo bashitseko kugira ngo baze babanze kubiganira n'abasaseredoti be n'abari mu manama nshingwatunga z'amaparuwase, imbere yuko basubira kubonana ngo bashinge urugero rusangi ruzofatirwako mu gutanga ako gashirukabute nyene.

**d. Gushinga igihe abaseminari bakuru bazohora bagirira umwaka w'ukwimenyereza ibanga n'ubutumwa bitegurira**

11. Iki kibazo cashikirijwe iyo nama n'Umwepiskopi ajejwe Amaseminari. Kubera indinganizo nshasha y'urukurikirane rw'ivyigwa mu Maseminari makuru, yashinzwe n'Igisata c'ubutumwa kibijejwe ku Kirimba c'Umuvyeyi wacu Papa, Abepiskopi bagihanahanyeko ijambo barondera gutomora igihe Abafaratiri bogirira umwaka wo kwimenyereza ibanga n'ubutumwa bw'ubusaseredoti busuku bitegurira. Kubera integuro y'ico kibazo itari ikwije ivyo bafatirako kugirango bashobore gufata ingingo, Abepiskopi barahanahanye ivyiyumviro bifasha gutahura kumwe ico ikibazo. Mu nyuma babonye ko bikenewe yuko mugenzi wabo ashinzwe indero mu maseminari yoheza akazokoranya abayarongoye kumwe n'abandi bobunganira bagaheza bakegeranya ivyiyumviro birashe bazoheza bagashikiriza inama y'Abepiskopi ngo babe ari vyo bafatirako mu gushinga ingingo izokurikizwa.

**e. Gutegera no kurangura kumwe itangwa ry'amakori n'amatagisi.**

12. Ubwanyuma, Abepiskopi baramenyeshejwe ikete Umuyobozi mukuru w'Ikigo OBR yandikiye urwego rw'Inama yabo, avuga ko, ku vyerekeye amakori n'amatagisi y'amadiyoseze n'ibindi bisata vy'ubutumwa vy'Ekleziya, ico kigo

kitagisubira gukurikiza ingingo ya 11 y'Amasezerano ari hagati y'Ikirimba ca Papa na Repubulika y'Uburundi, nk'uko cahora kibigira. Bamaze kunoganza ico kibazo, barafashe ingingo yo gusaba Leta y'igihugu cacu ishirwaho ry'umurwi ugizwe n'abayiserukira be n'abaserukira Inama yabo, woheza ukazoza urerekana, bikenewe, ingene ingingo zitandukanye z'ayo masezerano twavuze zikwiye gutegerwa. Barongeye baratomora n'ivyoshirwa mu rwandiko ruhimiriza inyifato n'ingiro rusangi mu madiyoseze no mu bindi bisata vy'ubutumwa vy'Ekleziya ku vyerekeye ikurikizwa ry'amategeko y'igihugu agenga itangwa ry'amakori n'amatagisi.

**Ugusozera**

13. Inama y'Abepiskopi yasozerewe n'igisabisho c'Amashemezo Ekleziya yo kw'isi yose isanzwe ihereza ku mugoroba w'uwa 5 Ruheshi. Igisabisho giheze haciye hakurikira umwanya w'ukwigina Nyenicubahiro Umwepiskopi w'inararibonye Simoni Ntamwana yari aramukanye isabukuru y'imyaka 80 amaze avutse.

Bigiriwe i Muyinga, igenekerezo rya 8 Ruheshi 2026

Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

✠ Yohakimu NTAHONDEREYE
Umwungere wa Diyosezi ya Muyinga
akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi
Gatolika b'i Burundi.

Conférence des Evêques Catholiques du Burundi
C. E. CA. B.
B. P. 1390 Bujumbura
Burundi